
**PATIRI KAROLI GAHEBE**

**1922-1992**

**Icabona ca Yezu-Kristu**



# CONFERENCE C V R

# 12/07/2023

# PATIRI KAROLI GAHEBE(1922-1992)

Annexe 1

PATIRI KAROLI GAHEBE, mwene Philippo Rugonda na Elisabeti Ntimarishavu ,yavukiye mu Kivogero ca Bukeye , Arshidiyosezi Bujumbura, mu mwaka 1922, abatirizwa mu Bukeye kw'itariki 2/6/ 1932 .

Yize amashule y'intango kuri Paruwasi ya Bukeye,yiga mw' iseminari ntoyi y'i Mugera muri Arshidiyosezi ya Gitega,hanyuma yiga mw'iseminari nkuru I'Nyakibanda mu Rwanda.

Umukama yaramugiye imbere yatirwa mw'ibanga ry'ubusaserdoti kw'itariki ya 28/12/1952. Amaparuwasi yaranguriyemwo ubutumwa ni aya : Paruwasi Ijenda na Giheta mu 1953, Paruwasi Mugera , kuva mu 1954 gushika mu 1958, mw'iseminari ntoyi y'i Mugera, kuva mu 1958 gushika mu 1963, yabaye Patiri Mukuru wa Paruwasi Makebuko, kuva mu 1963 gushika mu 1968, aba Patiri Mukuru wa Paruwasi Buhoro, araja muri Paruwasi Mbogora mu 1968-1969, aba kandi Patiri Mukuru wa Paruwasi Makebuko kuva mu 1970 gushika mu 1990 Kuva mu1983 yari ajejwe intara y'ubutumwa ya Makebuko. Mu 1987 yarapfunzwe azire gusoma misa ku misi y' imirimo Leta yabibujije.
Kuva muri Munyonyo 1991 gushika mu 1992 yari i Gitega ku Mushasha aho yaza arafasha kurangura ubutumwa i Gitega no muri Paruwaasi Mumuri. Yitavye Imana kw'itariki 5.11.1992 mu bitaro vy'i Bubanza, Yashinguwe mw''itongo ry'abapfuye ku Mushaha.

Icibutso ciwe (Monument) mugisanga i Makebuko, cahezagiwe icese kw'itariki 22/11/2014. PATIRI YAKOBO DUGAS(M.Af.) yanditse igitabu kuri Patiri Karoli Gahebe citwa « Abakristu b'akarorero » : « Patiri Karoli Gahebe, Icabona ca Yezu-Kristu ».

Icamuranze ni uko yitayeho cane gufasha abantu benshi bari mungorane z'ubwoko bwinshi butandukanye, akaba yarabishoboye kandi ata buryo yarafise kandi yari asanganywe amagara make.

P1

**UMURUNDI NYAKUBAHWA PATIRI KARORI GAHEBE YARAKINGIYE ABANDI BARUNDI MU 1972 ABITUMWE N'IKI?**

Jewe Honorable Nahayo Firimato wo muri Komine Makebuko, Intara ya Gitega, mbanje gukenguruka cane ko ndonse ijambo ngo mvuge umurundi, Nyakubahwa umuhisi Patiri Karoli Gahebe yagerageje gukingira abandi barundi mu 1972

Nkakengurukira abarongoye C V R kuko bamenyesha abarundi akahise k'Uburundi kugira ngo bashobore gutsirika ivyo vyose vyohava bisubira gushikira Ubunundi nkuko vyagiye biragenda mu myaka ya 1965,1969, 1972, 1988, 1993, 2015.

Maze abarundi bose abariho n'abazovuka bazogume bijandajandira mu bumwe, mu mahoro, mu mutekano, no mw'iterambere ry'umitima n'iry'umubiri muri Leta mvyeyi y'Uburundi.

I. **Indondoro ya patiri Karori GAHEBE. Raba Annexe 1**

II. **Patiri Karoli Gahebe yakingira abandi barundi abitumwa n'iki ?**

1. **YABITUMWA N'UMUTIMA W'UGUKUNDA IMANA BE N'UGUKUNDA ABANTU**

- Nyakubahwa Patiri Karoli Gahebe yarerekanye mu mvugo no mu mu ngiro ko afise ingabirano y'umutima w'urukundo ruzira amacakubiri n'ubwishime, ingabirano y'umutima wagutse wuzuye impuwe n'ikigongwe, ingabirano y'umutima w'ubutwari n'ubwihevyi mu guharanira ukuri n'ubutungane, ingabirano y'umutima w' ukuburanira Imana na Ekleziya , ingabirano y'umutima w'ubwira bwo kwigisha ijambo ry'Imana no gutanga amasakramentu, ingabirano y'umwete wo guteza imbere abantu ku mutima no ku mu biri, Ingabirano y'umutima ufasha abarwaye, abagowe, abakene, abasaza, abacumuzi, impfuvyi n'abapfakazi.

- Nyakubahwa Patiri Karoli yariyamiriza amacakubiri ashimikiye ku moko, inzigo n'urwanko.

- Mu vyago vyashikiye Uburundi mu 1972 : Mu gusigura ijambo ry'Imana mu misa yahanura abakristu ngo ntibatwenge abariko barafatwa ngo bajanwe kwicwa avuga ati « ……. Raba mu gitabu akagaye ntawe kereye ku rup 85. **Annexe 2**

- Uwishimikiza aya macakubiri y'amoko akagirira nabi abandi ashaka kuvuguruza Imana nayo Itavuguruzwa.

2. **Yabitumwa n'umutima w'ubwenge ubona kure mu gukunda Igihugu**

- Umusi bafuba Umugangwa Rwagasore, Nyakubahwa Patiri Gahebe mu gihe yariko arasigura ijambo ry'Imana mu misa ati : « Bakristu mwese, umuntu yubahutsE gukora iri bara araroze Uburundi ingwara y'akaranda katazohera ».


III. Abo Patiri Karoli yakingiye bagakira 1972 :

1. Yakingiye abantu 15 barakira. Hari itariki 5/5/1972

Vyagenze gute? Jewe nari Umuyobozi w'amashule. Nagiye kurambura mu mashure i Makebuko nsanga mu gitabu umwigisha ateguriramwo harimwo urupapuro rw'amazina

Annex 2

29. Mu 1972, umuhisi batazira SERUKUNDO, Nyakubahwa Patiri Karoli KAHEBE ati : Mukristu wese ukiri munsi y'iki gisenge c'ijuru, wame wiyubara ntuzokwigere utwenga uwundi agowe ashikiwe n'ivyago biva kuri aya mapolitike y'uwu mwaka wa 1972, kuko na wewe ntuzi umusi ico kirere cogukorekerako ». Ati : « Umuntu aravye akahise, nta na rimwe, ibintu vy'intambara biza bisa n'ivya mbere ».



y'abantu cumi na batanu 15bo muri Komine Itaba bategerezwa gufatwa uwo musi bakajanwa i Gitega.

P2

Naciye ndarushira Patiri Karoli Gahebe. Yaciye agenda kurondera Musitanteri wo Kw'Itaba BIZIMANA Xavier baca bagenda kuvyereka Bulamatari i Gitega. Patiri Karori aramusaba ngo abo bantu ntibafatwe. Bulamatari yaramwumviye aca arabihagarika.

2. Nkuko maze kubivuga kenshi yarakingiye Jewe Nahayo Firmato ndarokoka.

Kw' itariki 11/5/1972 ku mugoroba Commissaire w'Arrondissement Bukirasazi yaraje kuntora anjana i Mwanzari. Baca banyuriza i camion yuzuyemwo abandi biriwe barafata bavuye muyandi ma komine. Baca batujana mu mpimba i Gitega. Jewe sinari ku rutonde rw'abafatwa uwo musi i Makebuko. Abategetsi bo muri Arrondissement ya Bukirasazi baciye baja inama yo kunshira ku rutonde banyandika n'ikaramu. Badushikanye i Gitega mu mpimba Commissaire w'Arrondissement yaciye aja gutanga rapport kwa Bulamatari aravuga yuko uwitwa NAHAYO Firmato bamwishiriyeko kuri urwo rutonde. Hanyuma Bulamatari abarira Umukuru w'ibohero ngo uwo NAHAYO Firimato mushire ukwiwe. Bica bigenda uko nyene.

Igihe c'isaha zibiri mugitondo itariki 12/5/1972 Patiri Karori Gahebe yarage kubaza Bulamatali ivyerekeye NAHAYO Firimato na we ati twamurekuye genda umuyobozi w'ibohero amuguhe muce muza hano, Bulamatari aca abwira Patiri Karori ngo turamurekuye none nihagira ikibi kimwubukako mu nyuma uzovyemanga. Patiri ati ego nimwandike ko ndavyemeye. Baciye bamwereka aho atera igikumu kuri iryo jambo ry'ukuncungura.

3. Abo yagerageje gukingira bikanka :

- Musitantreri wa Komine Makebuko, Nzohabonima Augule
- Patiri Théophile Karenzo yabana na Patiri Karoli i Makebuko

IV. **Abantu bashika 90 barashingiye intahe Patiri Karoli Gahebe ku vyiza yakoze mu gihe yarangura ibanga ryiwe ry'ubusaseredoti (Témoiganes)**.

1. Uwuzoshaka kumenya ico umwe umwe wese muri abo 90 yanditse arasoma igitabu citwa :

« Témoignages sur la vie et l'œuvre de l'Abbé Charles Gahebe »

2. Uwambere muri abo 90 ni Nyene icubahiro Musenyeri Simoni Ntamwana.

Itariki 15/3/2016 yateye igikumu ku gisabisho co gusabira Patiri Karoli Gahebe ngo azoshirwe mu Beranda,

Avuga ata Jewe Simoni Ntamwana………..Annexe 3

**Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 12/7/2023**

**Honorable NAHAYO Firimato**

ARCHIDIOCESE
de
GITEGA
(Burundi)

B.P. 118 GITEGA – D.S. 16 Bujumbura
Tél. 00257/40 21 60 – B.C.B. 49480/01 Bujumbura
Fax 00257/40 26 20

Annexe 3

V/Réf. :
N/Réf. : Att/48/016
Annexe :
Objet :

## NICANDIKWE -IMPRIMATUR

Jewę, Simoni NTAMWANA, Umwepiskopi Mukuru wa Diyoseze Nkuru ya Gitega, ndabitorewe n'Imana kandi nkagamburukira Papa Fransisko ari ku Ntebe Nyeranda ya Petero, ndatanze uruhusha rw'uko igisabisho co gusabira Patiri Karoli GAHEBE co kwandikwa kandi kikavugwa.

Bigiriwe i Gitega,
kuwa 15 Ntwarante 2016

+ Simoni NTAMWANA
Umwepiskopi Mukuru
wa Diyoseze Nkuru ya Gitega.

BURUNDI

# GUSABIRA PATIRI KAROLI GAHEBE.

Mana Ndavyi yacu,
Sôko ry'ubweranda,
Urwo wadukunze utaranaturema Jambo wawe yararugaragaje ngaha kw'isi.
Yarakuduhishuriye, aratwigura, atunywanisha nawe, aha ububasha abazoshishikara ico gikorwa.
Warakoze Muhanyi ko muri abo, waduhaye Patiri Karoli GAHEBE yamutoye akôko mu kwigisha, mu gutagatifuza no mu kwegeranya abo wamuragije hano kw'isi, abahaye akarorero mu mpande zose z'ubuzima bwiwe.
Mutima wawe aramumurikira arakumenya, aragukunda, aragukundisha, agukorera atiziganya cane cane muri benewabo bababara.
Bikira Mariya yaguma amuhoza ku buryo amagume yaciyemwo atamutesheje ibanga,
Nuyagwe rero neza hose kubw'ibitangaza wakoze uciye ku ngabirano y'umutima w'urukundo ruzira amacakubiri n'ubwishime wamuhaye, umutima wagutse wuzuye impuhwe n'ikigongwe, w'ubutwari n'ubwihevyi mu guharanira ukuri n'ubutungane, mu kuburanira Imana n'Ekleziya, w'ubwira bwo kwigisha Ijambo ryawe no gutanga amasakramentu, umwete wo guteza imbere abantu ku mutima no ku mubiri, umutima ufasha abarwaye, abagowe, abakene, abasaza, abacumuzi, impfuvyi n'abapfakazi.
Mana utananirwa,
Niwumve iki gisabisho cacu,
Ivyo GAHEBE Karoli yerekanye bishishikare : Ekleziya yawe n'ubu irabinyotewe ;
Duhe na twebwe kudapfisha ubusa ingabirano nk'izo wamuhaye z'urukundo, ukwemera n'ukwizigira.
Mutere iteka ivyo yerekanye vyiboneke mu buzima bwacu, tubone ko ari wewe wamukoresha kandi ko n'ubu mugisenyera ku mugozi umwe.
Tubigusabishije Yezu Kristu Umukama wacu. Amen.

Bigiriwe i Gitega,
kuwa 15 Ntwarante 2016

\+ Simoni NTAMWANA
Umwepiskopi Mukuru
wa Diyoseze Nkuru ya Gitega.

*(Umukristu azogirirwa ineza n'impuhwe z'Imana, canke akaronka inema iyo ari yo yose, kuko yakoresheje iki gisabisho, araca abimenyesha Patiri Mukuru wa Paruwase Makebuko.*
*Iki gisabisho kirashobora kuvugwa muri Diyoseze Nkuru ya Gitega).*